Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°829 15 Kigarama 2024

# Umwizero ntutetereza *(Abanyaroma 5,5)*

*Inyigisho y'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi yugurura yubile y'imyaka 2025 y'Ekleziya*

**« Umwizero ntutetereza » (Abanyaroma 5,5)**

Bavukanyi dusangiye ukwemera namwe mwese Imana ikunda mukayikundira,

Twebwe Abungere banyu, tuzanywe uyu munsi no kubamenyesha ko Umuvyeyi wacu Papa yatwibu-

Foto: Ifoto yo mu bubiko



*Abungere b'Ekleziya gatolika y'i Burundi*

Soma ku Rup. 2

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

# Imyaka 60 irarangiye Musenyeri Gabriel Gihimbare agandaguwe?



Ku wa 13 Kigarama 2024 i Bujumbura, umurwi w'igihugu CVR ujejwe gutohoza ukuri no kurekuriranira mu Burundi, waratunganije inama yo kurondera gushira ahabona ukuri kw'igandagurwa rya Musenyeri Gabriel Gihimbare, umwibutsamana w'igisirikare c'Uburundi, Hari ku wa 13 Kigarama 1964. Uwo musi wahuriranye neza na neza n'uko imyaka 60 irumanye agandaguwe. .

Mu kiganiro caremeshejwe na Petero Claver Ndayicariye umukuru w'umurwi CVR afadikanije na Aloys Batungwanayo, umwe mu bakozi b'umurwi CVR,

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Umwizero ntutetereza ....................5
o Twese turakeneye kubohorwa....................6
o Twigane isangiramutima ry'Ubutatu Bweranda....................8
o Ingene amategeko yubahiriza umuntu atakiri mu mwidegemvyo..10

# Idominika ya gatatu y'Ubushikiro: *Umwaka C*

## Igisomwa ca mbere: *Sofoniya: 3, 14-18*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Sofoniya:

(*Nezerwa mwigeme wa Siyoni, kuko Umukama ari iwawe*)

Muhimbare wa Siyoni, vuza impundu ! Tamba utarike, Israyeli ! Mwigeme w'i Yeruzalemu, himbarwa, umutima wuzuye akamwemwe ! Umukama yaragukijije urubanza rwari rukugeramiye, yaragukuyeko umwansi wawe ; Umukama niwe mwami w'Israyeli, araguhagarikiye : ntaco ucinona.

Kuri uyo munsi, bazobwira Yeruzalemu bati : « Subiza umutima mu nda, Siyoni, ntucike inkokora. Umukama Imana yawe, ya ntwari mu rugamba, muri kumwe. Uzomutera agahimbare, urukundo rwiwe ruzogusubiza itoto : azokwiyereka, akuvugirize impundu, nko kw'isabukuru. »

## Igisomwa ca kabiri: *Abanyafilipi:4,4-7*

Ivyo dusoma mw'ikete Umutumwa Paulo yandikiye Abanyafilipi:
(*Tamba mutarike Umukama ari hafi*)

Ncuti zanje : Nimwame muhimbawe mu Mukama : ndabivuge ndabisubire : nimuhimbarwe. Ubuntu bwanyu nibumenyekane mu bantu bose: Umukama ari hafi. Ntihagire ico mwinona, ariko muri vyose, nimumusabe, mumutakambire mu gukenguruka, kugira ivyo mumuzamba bimenyekane mu nyonga z"Imana.

Niho amahoro y'Imana yo asiga ubwenge bwose, azobazigamira imishaha n'ivyiyumviro muri Kristu Yezu.

## Inkuru nziza: *Luka : 3, 10-18*

**Alleluya, Alleluya.**

- Umutima w'Umukama ari kuri jewe. Niwe yantumye kumenyesha aboro inkuru nziza y'urukiza.

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Luka :

(*Yohani Baptista ategura inzira y'Umukama*)

Ishengero ry'abantu baza kubatizwa na Yohani, riramubaza riti: "None dutegerezwa gukora iki?" Na we arabishura ati: "Uwufise imyambaro ibiri n'ahe umwe uwutawufise, n'uwufise ibifungurwa agenze gutyo." Haraza kandi abatozakori ngo babatizwe, bamubaza bati: "Mwigisha, duterezwa gukora iki?" Nawe abishura ati: " Ntimukake ibirengeye ivyo mwabwirijwe."

Abasirikare nabo baramubaza bati: "Tweho dutegerezwa gukora iki?" abishura ati: "Ntihagire uwo mugirira impaka canke ngo mumuremere ikinyoma, kandi nimushime impera yanyu."

Kubera ko igihugu cari citeze urukiza kandi bose bakibaza mu mitima yabo ko Yohani atari we Kristu, araheza ababwira bose ati: "Jewe mbatirisha amazi, ariko haje uwundusha ububasha, mbere sinkwiye n'ugupfundurura inkweto ziwe, azobabatiza muri Mutima Mweranda n'umuriro. Mu minwe yiwe afise urutaro, aza gukubura imbuga yiwe; ingano azimburire mu kigega ciwe, na vyo ibikumbi abishiburire mu muriro utazima."
Yohani yaguma amenyesha igihugu Inkuru nziza, akabahanura akatari gake.

# Umwizero ntutetereza *(Abanyaroma 5,5)*

(Bitangurira ku rup.1

kije guhimbaza Yubile y'imyaka 2025, Ekleziya ya Yezu Kristu ishashe kw'isi yose, imaze. Turabipfurije rero Yubile Nziza, ibahe gushinga imizi muri Kristu We Mizero yacu.

Kugira ngo dushobore kuzoyihimbaza neza, nimudukundire tubibutse Yubile ico ari co, tubabwire iyi twimirije ingene izogenda, dushime ivyiza idusanzemwo bikomeza ukwizigira kwacu, tunegure ibibi bidindiza uko kwizigira, duheze twigire inama y'ingene twoyihimbaza, ngo turushirizeho kuba umunyu n'umuco w'isi, turi abasangirarugendo kubw'ukwizigira.

**I. Dutegere neza Yubile ico ari co.**

1) Iri jambo "Yubile" rivuye mw'ijambo ry'igiheburayo "Iyoberi", risigura ihembe ry'impfizi y'intama ryakoreshwa mu kuvuza inzamba y'akanyamuneza, yatumirira igihugu c'Israeli guhimbaza imyaka mirongo itanu. Babigira bisunga ivyanditswe mu gitabo ca Bene Levi ngo: "Uzoharura amasabato indwi y'imyaka indwi kugwiza indwi. Imisi y'ayo masabato indwi y'imyaka indwi izongana kuri wewe n'imyaka mirongo ine n'icenda. Ukwezi kugira indwi, igenekerezo ry'icumi, uzovuza inzamba y'akanyamuneza ku munsi w'ikigongwe,

Ibik. urup.3

# Tuzirikane Ijambo ry'Imana, Ubushikiro, Umwaka C

Bavukanyi dusangiye ukwemera, tugeze kw'idominika ya 3 y'Ubushikiro, ca gihe kiroranye c'ukwitegurira Umukiza ari mu kuza.

Ibisomwa vy'ijambo ry'Imana bikadutumirira kwitegura kwakira uwo Mukiza aje kudutera akanyamuneza. Kugira tumwakire neza, "None dutegerezwa gukora iki?", tubwirizwa kwitegura ku mutima.

Mu gisomwa ca mbere, Umuhanuzi Sofoniya atumwe n'Imana ashikiriza Yeruzaremu, umwigeme wa Siyoni Inkuru nziza y'urweze, ijambo ry'umwizero: "Himbarwe, umutima wiwe wuzure akanyamuneza, kuko Umukama ariwe Mwami w'Israeli yamukuyeko iceyi cose n'urubanza rwari rumugeramiye".

Kuko Imana yaribagiye ububegito bwamuranze muri kahise, kuko yonyene igiye kunagura ubucuti n'imigenderanire hagati yayo n'abayo bari babaye ibicibwa kubera ubugaba bwabo. Igihe kirageze c'ugutabarwa. Imisi y'agahimbare ng'iyo irashitse, umutwenzi w'ubutungane n'amahoro bikomoka ku Mana uratamanzuye. Imana iragaragaje akaranga kayo: ni umunyakigongwe, ntikaza ishavu, ikaza urukundo.

Nk'uko ari Imana y'ubuzima natwe idushakira ubuzima, kandi ubuzima bwuzuye. Imana yarabiranguye nyakubirangura igihe yarungika Umwana wayo w'ikinege kw'isi ngo uwumwemera wese ntapfe aronke riho ubuzima budahera (Yoh.3,16).

Bakunzi b'Imana, na twebwe turiko turegereza guhimbaza umusi mukuru w'ivuka ry'Umukiza wacu, turindiranye umwizero. Uwo musi, tuzotamba, twigine mu kanyamuneza kenshi kuko tuzi ico iryo vuka ryiwe ryatuzaniye. Nkako, Yezu yaraje hano kw'isi (Yo.1,9), umuco wiwe wararasiye mu mwijima, ariko umuzimiza ntiwashoboye kuwuhagarika (Yo.1,5).

Ico duhimbaza rero caramaze kuranguka ariko n'ubu kiguma kiranguka gushika aho azogarukira mu buninahazwa.

**"None dutegerezwa gukora iki?"**

Mu gisomwa ca kabiri, Paulo mweranda ati: "Ni mwame muhimbawe mu Mukama, ubuntu bwanyu ni bumenyekane mu bantu bose (Fil.4,4). Dusagwe n'amahoro yayo kandi tuyasasagaze hose, dukunde Imana twongere dukunde n'abayo, mu kuri no mu butungane.

Mu Nkuru nziza, kubera ko igihugu cose cari citeze urukiza, Yohani Batista mweranda igihe yariko aratanga ibatisimu y'ukwisubirako yabariye imigwi yose y'abantu baza bamugana ico botegerezwa kugira, umw'umwe wese mu bimwerekeye.

Turabe natwe umw'umwe ivyo arimwo ingene abitunganya, ingene avyifatamwo.

Mu kazi turimwo canke mu mirimo itandukanye turangura, ubwo tugendera ukuri n'ubutungane?

Ntaho twironderera inyungu zacu gusa ugasanga turiko turahomvya igihugu catwibarutse? Ntaho turenganya abo dusangiye igihugu? Ntaho tunyuruza itunga rusangi? Ntaho tubeshera abandi ngo bagirirwe nabi ataco bazira?

Iki gihe kiroranye c'ukwitegurira gusanganira Umukiza wacu, ni igihe c'ubukiriro; ntikibasige bakiboshwe n'izo ngeso mbi, ahuwo nk'uko Paulo mweranda abivuga ati: "Musanzwe muzi igihe turimwo ingene kimeze; ubu rero harageze ko mwokwikangura. Nkako ubu turi hafi y'ubukiriro kuruta aho twatangura kwemera. Niduhebe rero ibikorwa vy'umukorane" (Rom.13,11-12).

Ni mureke kuba intabarirwa kuko uwimirije kuza: mu minwe yiwe afise urutaro, aza gukubura imbuga yiwe, ingano azimburire mu kigega ciwe navyo ibikumbi, abishiburire mu muriro utazima (Lk.3,17).

Amen.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Umwizero ntutetereza *(Abanyaroma 5,5)*

*(Bitangurira ku rup. 1*

muzovuza inzamba mu gihugu cose. Umwaka ugira mirongo itanu, muzowugira mweranda hanyuma mutangaze umwidegemvyo mu gihugu ku bakibamwo bose." (Bene Levi 25,8-10).

Uyo mwaka mweranda w'umwidegemvyo niwo Yezu avuga ko yarungitswe kumenyesha (Raba Luka 4,18-19).

Uyo mwaka mweranda w'umwidegemvyo, ari wo mwaka wa Yubile, watanguye rero uhimbazwa uko imyaka mirongo itanu iheze. Mugabo, mu mwaka 1470, Papa Paulo wa kabiri yarashinze ko wohimbazwa uko kose imyaka mirongo ibiri n'itanu iheze. Iyo ngingo niyo, ubu, Ekleziya yisunga.

2) Yubile rero ni umwaka mweranda tugabirwa n'Imana Soko ry'Ubweranda bwose.

Ukuyihimbaza bijana n'ukwinjira mu ngendo yo kwemera kwinagura mu bunywanyi dusangiye n'Umukama no mu rukundo dufitaniye na benewacu. Iduhamagarira kuba beranda: "Nimube beranda nk'uko so wanyu ari Mweranda" (Matayo 5,48; Bene Levi 11,44; Amategeko 18, 13).

Kuva na kera, ubwo bweranda bushingiye kuguhindukirira Imana ngo twakire urukundo rwayo, duheze turugaragarize abantu bose.

*Ibik. urup.5*

# Imyaka 60 irarangiye Musenyeri Gabriel Gihimbare agandaguwe

baragarutse ku buzima bwa Musenyeri Gihimbare n'iyicwa ryiwe. Nk'uko Petero Claver yabigarutseko, ngo ivyerekeye ubuzima bwa Musenyeri Gihimbare biri mu cegeranyo kinini c'ivyo umurwi CVR umaze gutohoza ku mabi yakozwe mu Burundi, icegeranyo kigizwe n'impapuro zirenga ibihumbi icumi n'umunani.

**Musenyeri Gabriel Gihimbare ni nde ?**

Nk'uko bivugwa n'umurwi CVR wagize amatohoza ku bijanye na Gabriel Gihimbare, ngo yavutse mu 1924, avukira ku mutumba Bihororo muri Komine na Paruwase Giheta. Abavyeyi biwe ni Thomas Bazira na Pia Kaziri. Gabriel Gihimbare yabatijwe ku wa mbere Ruheshi 1926, akomezwa muri Mutima Mweranda ku wa 6 Ruheshi 1933.

Yatiwe mw'ibanga ry'ubusaserdoti ku wa 3 Ndamukiza 1956, aca agenwa gukurikirana ubutunzi kuri paruwase Makebuko, hanyuma ahabwa ubutumwa bwo gufasha mu mirwi n'imihari i Gitongo n'i Mugera.

Mu 1962, yagenwe kuba umwibutsamana wa Gisirikare inyuma y'urugendo yaheruka kugira mu bihugu vya buraya.

Ku wa 29 Nyakanga 1964, Patiri Gabriel Gihimbare yegenwe na Papa Paul wa 6 kuba Musenyeri icariho c'Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Gitega.

**Urupfu rwa Musenyeri Gabriel Gihimbare**

Musenyeri Gabriel yagandaguwe ku wa 13 Kigarama 1964. Yarasiwe ku mutumba Murehe, komine Busoni mu Ntara ya Kirundo.

Ico gihe, ngo yari yagiye gusezera abasirikare bakorera mu Kirundo inyuma yuko yumvise ko Umwungere w'Ekleziya amuhamagariye ayandi mabanga. Patiri Thomas Mahwera, uwundi mwibutsamana wa gisirikare wo mu bwoko bw'abatutsi, ngo yari yahanuye Musenyeri Gabriel Gihimbare ko atohirahira ngo aje mu Kirundo, ariko yaruhiye kugenda.

Yarashwe n'umusirikare afise ipete rya Caporal azwi kw'izina rya Bavumiragira mu masaha ashira sakumi na zibiri z'umugoroba.

Yaciye ashingurwa inyuma y'imisi ibiri, ku wa 16 Kigarama 1964 muri katedral Kristu Mwami ya Diyoseze nkuru ya Gitega.

**Urupfu rwa Gabriel Gihimbare ruvugwa kwinshi.**

Hari abavuga ko iraswa ryiwe ryoba ryabaye isanganya. Ngo uwo musirikare yamurashe yibazako ari igikoko arashe canke ko yoba ari umwansi aje ava mu Rwanda. Ngo yoba yari yagiye guhiga mw'ishamba ibikoko vyo kubagira abasirikare bagenzi biwe mu ntumbero yo kubasezera.

Mu murwi CVR ku ruhande rwabo, amatohoza yimbitse bakoze ngo yarerekanye ko iyicwa rya Gabriel Gihimbare riri mu rukurikirane rw'uruhamo rwariko rurakorerwa incabwenge zo mu bwoko bw'abahutu b'ico gihe.

Kubw'uwo murwi ujejwe gutohoza ukuri no kurekuriranira, ibivugwa yuko Gabriel Gihimbare yarashwe avuye mw'ishamba guhiga ibikoko bavuga ko bidashoboka.

Kuri urwo ruhande, bibaza ibibazo bikurikira: Hisunzwe indinganizo ya gisirikare hamwe n'indinganizo y'ubwibutsamana muri urwo rwego, vyari kugenda gute ngo umwibutsamana wa gisirikare ku rwego rw'igihugu aje mwishamba guhiga ibikoko ari wenyene?

Vyari kugenda gute ngo umwubahwa nk'uyo aje guhiga ibikoko, ico yishe agaca agitahana ku rutugu we nyene ubwiwe? Vyokumvikana gute ko umwibutsamana wo kuri urwo rugezo ko atarafise abamucungerera ubuzima (Agent de Transmission)?

Umwibutsamana bari bamaranye imyaka ibiri irenga bari kureka kumumenya gute? Kubera iki ngo batabanje kurasa hejuru kugira ngo barabe vyukuri ko ari umwansi canke ari mugenzi wabo ariko bagashoka barasa



*Patero Claver Ndayicariye arongoye umurwi CVR*

batumbereza kandi batariko barivuna?

Ikindi gituma umurwi CVR ufata iyicwa rya Musenyeri Gabriel nk'urupfu rudasanzwe, ngo n'uko zaba inzego za Gisirikare canke z'ubutungane zitigeze zikora amatohoza ngo zimenye igituma caporal Bavumiragiye yarashe uwo mwibutsamana.

Ivyo vyose, ngo bituma umurwi CVR wemeza ko urupfu rwa Musenyeri Gabriel Gihimbare atari urupfu rusanzwe canke giturumbuka. Ngo ruri murukurikirane rw'ivyaha vyakozwe n'igihugu. Uwo murwi ugasaba Reta kwemanga ko ubwo bwicanyi bwateguwe bukongera bugashirwa mu ngiro n'inzego za gisirikare.

Reta ngo yokwubaka ivyibutso mu ntumbero yo guha iteka Gabriel Gihimbare. Ekleziya katolika nayo ngo yokwiyumvira ibikorwa yokora vyotuma Musenyeri Gabriel Gihimbare aba intibagiranwa mu Burundi no muri Ekleziya.

**Mélance NDAYIKEZE**

# Umwizero ntutetereza *(Abanyaroma 5,5)*

*(Bitangurira ku rup. 1*

Vyongeye, kuva na kera, Yubile ijana n'ubutungane kuko Imana yavuze iti: " Umuntu wese muri mwebwe azosubira mw'itongo ryiwe, kandi umuntu wese muri mwebwe azosubira mu muryango wiwe" ( Bene Levi 25,10). Ahandi naho iti: "Ntihagire umuntu azozimba uwo basangiye igihugu, urubaha Imana yawe. Nako ni jewe ndi Umukama Imana yawe" (Bene Levi 25,17).

Bisubiye, Yubile yaraha akaryo Abanyisraeli ko kwubahiriza ibidukikije maze bakaruhurira isi, bafungura "ibihitira" nk'uko vyanditswe ngo "Ntimuzotera imbuto, ntimuzosoroma ivyimejeje, ntimuzokwamura imizabibu itazoba yaratutuwe, kuko izoba ari iyubile, izoba ari nyeranda kuri mwebwe, (…) muzorya ibihitira (…)" (Bene Levi 25,11-12.22).

Ihimbazwa rya Yubile ryategetswe n'Imana kugira ngo Abanyisraeli baronke akaryo ko kwigana urukundo kigongwe Imana yaberetse mu kubabohoza ikabakura mu buja bw'abanyamisiri.

Yubile rero si umunsi mukuru nk'iyindi yose, nka kurya kw'amasabukuru tumenyereye, aherera mu guhimbarwa gusa. Yubile yamye ifise uburiba n'iteka yisangije kuko ijana n'ibanga ritwibutsa guhinduka.

**II. Ingene Yubile y'imyaka 2025 itegekanijwe.**

3) Nk'uko twabibamenyesheje kuw'Imana wa gatatu wa Pasika, kw'igenekerezo rya 9 rusama 2024, Umuvyeyi wacu Papa yaradushikirije ikete ridasanzwe, mu Kirundi twovuga ko yise "Umwizero ntutetereza", adutumirira kwinjira muri Yubile y'imyaka 2025 y'Ekleziya yo kw'isi yose, tumurikiwe n'icivugo kiduhimiriza kuba "Abasangirarugendo kubw'ukwizigira".

4) Iyo Yubile, Papa azoyitwugururira icese kw'igenekerezo rya 24 kigarama 2024, mu kwugurura umuryango mweranda w'Isengero nkuru ya Petero mweranda i Roma.

Mu yandi madiyoseze yose, abepiskopi bayaragijwe bazokwugurura iyo Yubile ku w'Imana igenekerezo rya 29 kigarama 2024, mu guhereza Inkuka ya misa mu masengero mvyeyi yabo, bakurikije igitabu c'imigirwa itegekanijwe.

Muri ayo madiyoseze nyene, Yubile izosozerwa kw'igenekerezo rya 28 kigarama 2025, mu gihe i Roma Umuvyeyi wacu Papa azokwugarara wa muryango mweranda ku munsi mukuru wa Epifaniya, igenekerezo rya 6 nzero 2026.

**III. Ibimenyetso vy'umwizero Yubile idusanganye ni ibihe?**

5) Mw'ijambo ryo gusozera Yubile y'imyaka 125 tumaze dushikirijwe Inkuru nziza, ku wa 15 myandagaro 2023, twarakengurukiye Imana ku butumwa bwakozwe n'Abamisiyonari ba mbere, hamwe n'imvukira zabakoreye mu ngata. Ijambo babivye ryarakiriwe mu gihugu cacu kandi rirashinga imizi mu mitima y'abatari bake.

Muri iyi myaka, harabonetse ingo nyinshi z'abubatse rukristu, ukwemera kurashinga imizi mu miryango, n'abana benshi bararonka uko kwemera kandi bagukuriramwo.

Izo ngo ni zo zabaye amatuta y'imihamagaro itandukanye yavyaye abasaserdoti, abihebeyimana n'abamenyeshamana batari bake, gutyo turaronka n'abaja kumenyesha inkuru nziza mu makungu, bisunze akamo ka Yezu ngo: "Kwire isi yose mushikirize Inkuru nziza ikiremwa cose" (Mariko 16,15).

Ntitwokwibagira b'abanyamihari kumwe n'imigwi itandukanye y'ubutumwa yitangira guteza imbere Ekleziya.

6) Umwizero w'Ekleziya yacu uri (no) mu mwitwarariko w'ukwitangira Umuryango w'Ekleziya abakristu bagaragaza, biciye muri ya ngendo nziza ya Twubake Paruwase yacu.

7) Ikindi kimenyetso c'umwizero ni uko Ekleziya yacu ibandanya yitwararika ubutumwa bwo kwigisha no guteza imbere umuntu mu mpande zose: mu vy'indero, mu vy'amagara y'abantu, mu vy'ugufasha abatishoboye n'ibindi

8) Ikindi kimenyetso c'umwizero ni uko Ekleziya yacu iriko irashira mu ngiro ingingo zavuye mu nama nsangizangendo zatunganijwe nko mu madiyoseze yose, zerekeye amahoro no gusubiza hamwe bishingiye ku kuri, ubutungane, umwidegemvyo n'urukundo.

9) Umwizero wacu ushimikiye kandi ku ntahe y'ubutwari mu kwiheberanira yaranguwe n'abakristu batari bake, gushika n'aho bamwe muri bo bemera kwicwa bagwanira ubuzima bwa benewabo.

10) Ikindi kitwongerereza umwizero ni uko hari amasezerano hagati y'Ekleziya Gatolika na Republika y'Uburundi, agenga ugukorana neza hubahirijwe uburenganzira bwa bamwe n'abandi.

Impande y'ivyo bimenyetso hariho ibindi bimenyetso Yubile idusanzemwo kandi bidahumuriza.

**IV. Ibimenyetso bitaremesha umwizero**

***Biracaza***

*Vyahinduwe mu Kirundi n'igisata gishinzwe ubutumwa n'inyigisho ndoramana*

# Twese turakeneye kubohorwa



Musenyeri Blaise Nzeyimana, Umwungere wa Diyoseze Ruyigi

Kuri uyu w'Imana wa mbere w'Ubushikiro, usanzwe wahariwe Abanyororo muri Diyoseze ya RUYIGI, Nyenicubahiro Musenyeri Buraziyo Nzeyimana, yaherereje Imperezwa y'Ukaristiya mw'Ibohero rikuru rya RUYIGI.

Mu nyigisho yashikirije Igihugu c'Imana, yashimikiye muri make ku bintu bitanu:

**1.Igihe ceranda c'Ubushikiro:**

Ni igihe dutangurana icipfuzo co kubona Mesiya aje kuducungura ariko kandi ni igihe co kwipfuza kumusanganira, kumwakira kugira ngo atubohore kuko aguma imisi yose yuguruza: «Raba, mpagaze ku rugi nuguruza. Hagize uwumva Ijwi ryanje akugurura urugi, nzokwinjira iwe, mpeze mfungure hamwe na we, na we afungure hamwe nanje» (Ivyahishuwe 3, 20).

2. **Abanyororo:**

Twese turakeneye kubohorwa kuko twese turaboshwe n'inabi. Nkako, kuri iyi si y'abazima, nta n'umwe abura ibimwagira, ni uko gusa aba adafashwe. Aho kwakigiriza abandi, dukeneye nyabuna kugira urunani tukarwanya inabi , tukayima umusaya kandi tugafasha abandi ntibayigwemwo.

3. **Uguhimbaza Iyubire ya Diyoseze yacu**:

Ukurekuriranira n'Ugusubiza hamwe ni ingendo idufasha guhimbaza neza Iyubire ya Diyoseze yacu. Tumurikiwe n'Ijambo ry'Imana, twipfuza ko ukurekuriranira n'Ugusubiza hamwe biba ingendo y'Ubuzima bwacu.

4. **Ugusaba amahoro mu karere k'ibiyaga binini**:

Uw'Imana wa mbere w'Ubushikiro wahariwe ugusaba amahoro n'Ugusubiza hamwe mu karere k'ibiyaga binini (Uburundi, Urwanda na Kongo). Kenshi tubona ibidurumbanya abantu kubera habuze iterambere ariko vy'ukuri ubukene bw'amahoro mu mitima yacu ni bwo butuma abantu baza baratana mu mitwe

randa yabiduhanuye mu gisomwa ca kabiri mw'Ikete yandikiye Abanyatesalonika dusabwa kwigenza neza no kunezereza Imana.

Inyuma y'Imperezwa y'Ukaristiya, Abanyororo bashikirije ibibagoye nko kubura aho basengera hagutse: aho basengera ubu haraga kandi uruhome rwarase imigaga kandi nta dutebe twokwicarako bafise kuko bakoresha izo batijwe n'abaporoti. Abanyororo basozereye ijambo ryabo bamushikiriza akaganuke.

Nyenicubahiro Musenyeri Buraziyo Nzeyimana, amaze kubakengurukira no kubaremesha yaciye abashikiriza ingemu igizwe n'agafu k'imyumbati, uduhuzu n'ubuyi bw'abana; uwo Muvyeyi ntiyibagiye abana bapfungiwe mu Rutimbura: yabarungikiye agaceri.



5. **Ubutungane:**

Ubutungane buvugwa muri Bibliya buratandukanye n'ubwo mu masentare. Ubutungane ni ukuba kumwe n'Imana, ni ugukwirikiza ivyo Imana yategetse.

Nk'uko Pawulo Mwe-

«Nimuze mwebwe mwahezagiwe na Data, mutorane Ubwami mwateguriwe kuva isi ikiremwa, nkako nari mw'Ibohero muraza kundaba» (Matayo 25, 34.36).

*Patiri Léonidas Ntakarutimana*
*Diyoseze Ruyigi*

# Isangiramutima ryunganirwa n'ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe (Ibikurikira)



Ukwo tuzoba tukuye mu mitima yacu akageso kabi nahanuweko, canke nkakamirira kure katarandarikamwo, ni ko igikorwa ca Yezu na nje kizoja imbere, wa wundi tugisangiye na we akwumva ko yakiriwe, kandi ata nkomanzi iriko irashaka kudutobera.

Ikigongwe dukeneye na co nyene nikive kuri uwo wese dushobora gutsitaranako, kuva ku Mukama ubwiwe, gushika ku biremwa bitoyi cane nk'utwatsi tungora aho nca canke aho mvoma. Gihetuye abo bose mfise ico marira, ndazi neza ko impera na imperuka nzoza mfise inguvu z'ubutumwa zidasanzwe, mbere abantu bakanyirukira kubera ico. Ibitotsi bitosekaza isangiramutima ni vyinshi cane.

Kandi uko tubirunda muri twebwe, ni ko tugenda turananirwa, gushika n'aho abandi dusangira ubutumwa tubananiza. Aha ni ho hahera ukutizigirana, ukudebukirwa, ugutana ibikorwa abandi, n'utuntu mwene utwo, duheza tukaburagiza amajambere twashaka kuronkera ubutumwa dushinzwe.

Biranashika, tugahava dusokora akarenge kubera uburemere bw'ivyo turiko turadebukirwamwo.

Ingaburo dukura mu kurekuriranira ni kirumara ukuduteguririra kwama twakuze, twakomereye ibanga, mbere tukarishikana kuko twamye turitosora.

Birashika ko bamwe bahava bafata minenerwe ukurekuriranira, mbere bakaza barasa n'abatebura, iyo hageze kurekuriranira.

N'akantu na gatoya karashobora kuntera impungenge imbere yawe dusangiye ubutumwa canke ibanga, ngasigara ncitse intege, wese wigiriye.

Ukurekuriranira twaguhanuwe na Imana yo nyene yagutoyeko umuti uvura igicumuro.

Nibwira ko iyo tubibwirwa n'umuntu nka twe, twari kwamana inkeka y'uko iyo nzira itatuganurkanira ubuzima, urukundo na umuvukano.

Noneho, Imana ni yo yabaye iya mbere mu kutwemezwa ko ukurekuriranira ari inkingi ibwirizwa gushigikira abantu mu buzima bwabo, kuko nyene bagenda baracumuranako.

*Chanel HARINGANJI*

# Twigane isangiramutima ry'Ubutatu Bweranda

5.Twigane isangiramutima ry'Ubutatu bweranda.

Umusaserdoti w'umugenzi yitwa Stefan ULZ, ni we yanditse igitabu kuri Chiara Lubich acita «Dreifaltigkeit leben », « Kugaragaza mu buzima bwacu Ubutatu Bweranda ». Uwo mwanditsi ni we yanshanyuye, mu kunyereka ingene isangiramutima riri mu Butatu Bweranda ryotwama hafi, mbere rikatubera umuti udukomeza, utuvura turwaye, udukanda twababaye.

Turazi ko Ubutatu Bweranda ari Umuryango wagutse, utagira urubibe. Aho twebwe twipfuza kugaragaza Ubutatu Bweranda mu buzima bwacu, dushaka cane cane gushira ahabona isangiramutima ryabwo. Turazi ingene Data na Mwana na Mutima Mweranda bagize urugo rumwe rw'Imana. Turaz ingene basangiye vyse. Turazi ingene bakundana, bagamburukiranira. Imfungurwa Yezu afise, abonye abigishwa biwe bamurondereye, arababwira ko yiyizi : « Imfungurwa yanje, ni ugukora ico Uwantumye ashaka n'ugushitsa igikorwa ciwe » (Yohani 4, 34). Muri rya sangiramutima ryiwe na Se ni ho asanga ubukomezi bwiwe bwose, ikimugirira neza cose, agahimbare kiwe kose.

Iryo sangiramutima ni ryo ryocika ubuzima bwacu, kugira ngo rno shirahamwe ryacu rironke inguvu zose rikeneye, ryongere rikwize hose Inkuru nziza ya Yezu Kristu. Ritorane, rirwanire, rigendere. Ni ho muzorangura ico rishaka : Mukama menyekana. Isangiramutima i ryo soko rikomeza ubutumwa nk'ubu, rikazana amajambere atigera arota.

+Simoni Ntamwana
Umwepiskopi Mukukuruke wa Gitega.

*Chanel HARINGANJI*

# Icunyunyu Mercure, kirabangamiye ubuzima bw'abantu

Mercure ni icuma kimeze nk'amazi agumagumye bukebuke (aremereye) afise ibara ry'umujumbu). Iyo ishuhijwe k'umuriro ica irekurana cane kandi ntiyihuta gutumuka. Ivyo bica bituma ico cunyunyu gikoresha cane mwihingurwa ry'ibintu vyinshi dusanga turiko turakoresha mu buzima bwacu bwa misi yose.

***None aha mu Burundi hariho icunyunyu mercure ?***

Aha mu Burundi, naho tudahingura icunyunyu mercure, kirahari kubera akenshi tugisanga mu mavuta ahindura umubiri abakenyezi bakunda kwisiga, turagisanga mu mabateri ya terefone ngendanwa, muri zimwe mu materemometre apima ubushuhe bw'ikirere, ahandi tugisanga ni mubibanza bicukurirwamwo inzahabu.

***Icunyunyu mercure gihurira hehe n'ubuzima bw'umuntu ?***

Ha ruhande y'ayo mavuta yo kwisiga hamwe no muri bateri za terefone, turayisanga kandi muma machine nyabwonko, mu mabuye y'iradiyo, mu miti ipompa ibiterwa, muri imwe mu miti yo kwa muganga nk'iyo bakoresha mu guhoma amenyo, muma ampure no mu bindi vyuma bitari bike. Ico cunyunyu kandi duhurira mu bifungurwa bitandukanye tutibagiye inyama, indagara n'amafi.


Foto: Chanel HARINGANJI

***Ivyo twihereza, bihurira hehe n'icunyunyu mercure ?***

Mu kuronka inzahabu bahejeje kuzicukura, hakoreshwa ivangavangwa ry'amazi na mercure hamwe n'ibicafu vyacukuwe biba vyinyejemwo utuzahabu duto duto cane, mercure rero ifise igikorwa co kugerageza kwegeranya izo nzahabu izikura muri vyabicafu. Ico gihe civangwa, mercure irashobora kwinjirira mudutoboro twihemero ry'umubiri w'uwuriko arakora ico gikorwa.

Ivyo biheze, imicafu isheshwe muri ico kibanza, ijana na ya mercure bikanyengetera mw'isi. Ibitungwa bizorisha ivyatsi bizomera muri ivyo bibanza, bizaba biriye ico cunyunyu naco kice ciyarika mu mubiri wavyo, natwe duce duhurira mu nyama.

Muri ya si nyene yinjiwemwo na mercure, irimwo utu nyabuzima. Ivyo dufungura bizoba birimwo ico cunyunyu, igihe haje inkukura utwo tunyabuzima dushobora kuja mu migazo, imigazo igahereza inzuzi, inzuzi zigahereza ikiyaga Tanganyika.

Twatunyabuzima tuzoribwa n'utudagara duto duto turi muri izo nzuzi, bigende birakurikirana uko nyene gushika ku mafi manini natwe nitwabifungura hace habaho uruhererekane rwa ca cunyunyu mercure. Ivyo birahe za bikagenda nk'uko igihe twihereje ibiterwa vyatewe muri ivyo bibanza vyacukuriwemwo inzahabu hakoreshejwe mercure.

***Icunyunyu mercure kibangamira imirwi iyihe y'abantu ?***

Ubushakashatsi bwakozwe, bwerekana ko abakenyezi bibungenze babangamirwa cane igihe mu mubiri wabo haba haramaze kwiyarikamwo ico cunyunyu.

Iyo biri uko, uko umuvyeyi ahanahana ubuzima n'u-mwana yibungenze, niko amuhanamwo na ca cunyunyu mercure.

Kubera abasoda b'umubiri w'uwo mwana baba batarakomera ngo bashobore ku-rwanira umubiri wiwe, ari naco gituma hari aho umwana ashobora kuvu-ka adafise ibihimba bi-kwiye nko kuvuka adafise ukuboko, ukuguru, canke akavuka afise ibihimba bitameze neza nko kugira umutwe munini, kutagira inguvu zo guhagarara akaguma ajugumira, kudafata ku mutwe, kutabona, kutavuga n'ibindi.

Iyindi mirwi ibangamirwa ni abana bakiri bato, hamwe n'abageze mu za bukuru.

Ico cunyunyu mercure, umuntu ashobora kucandura biciye mu guhema biciye mu mwotsi canke kugifungura mu mfungurwa nk'uko twabibabwiye, mu gukaraba amazi arimwo ico cunyunyu.

***Icunyunyu mercure conona gute ibidukikije ?***

Ivyo bikoresho vyokozwe hakoreshejwe mercure, bikiriko birakoreshwa nta ngorane. Bigirira ingaruka mbi ibidukikije bimaze gutabwa mu mayarara kuko baca baja kubisambagura bakabisanzaza baronderamwo itwubwuma tutandukanye, ari naho ca cunyunyu mercure gica kiboneraho kwihereza imirambi biciye muri iyo micafu yasanzajwe.

Ivyigwa vyakozwe n'ikigo c'igihugu kijejwe gukingira ibidukikije (OBPE) mu mwaka wa 2020, vyerekana ko aha mu Burundi hari icunyunyu mercure kingana n'amatoni arenga 64, mu gihe ibiro bingana na 142 biri mu matongo y'abapfuye.

**Chanel HARINGANJI**

# IBIMENYESHEJWE

**REPUBLIQUE DU BURUNDI**
**MINISTERE DE LA JUSTICE**
**TRIBUNAL DE RESIDENCE**
**NGAGARA**

**Affaire n° RC 4008/2024**

## ASSIGNATION A DOMICILE INCONNU

L'an deux mille vingt-quatre, le douzième jour du mois de décembre à la requête de KAYUKU Aloys.

Je soussignée, NTIRANYIBAGIRA Anne Marie huissier assermentée près le Tribunal de Résidence Ngagara.

Ai donné assignation à domicile inconnu à NYIRUBUTAMA Apollinaire.

A comparu devant le Tribunal de Résidence Ngagara siégeant en matière civile en date du 23/12/2024 à 8heures au local ordinaire de ses audiences à Bujumbura.

**Objet de la demande** : **Gusaba transfert ya Titre**

Et pour que l'assigné n'en ignore, attendu qu'il n'a ni domicile ni résidence connu dans ou hors de la République du Burundi, j'ai affiché la copie du présent exploit à la porte principale de l'auditoire du Tribunal de Résidence NGAGARA, et en ai fait parvenir un extrait du même exploit au journal le Renouveau du Burundi pour publication.

**DONT ACTE**

**L'Huissier**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Tribunal de Résidence
NGAGARA
Ministère de la Justice, de la Protection Civique et Garde des Sceaux

# Ingene amategeko yubahiriza umuntu atakiri mu mwidegemvyo

Umuntu wese atakiri mu mwidegemvyo, akwiye gufatwa runtu akubahirizwa mu gateka karanga zina kiremwa muntu wese, kuko uretse ko ataba yidegemvya, agumana ubundi burenganzira nko kumenyeshwa igituma yatswe umwidegemvyo, kumenyeshwa ivyo arekuriwe n'amategeko agenga ibohero, gufatwa runtu, kuvuzwa, kubonana n'abo mu muryango, kwiregura, imbere ya sentare, kwunguruza urubanza, gufungurirwa hamwe no kudasinzikarizwa ubuzima. Ivyo na vyo birafise ingene amategeko yabitunganije, haba ayo ku rwego mpuzamakungu canke ayo ku rwego rw'igihugu kimwe kimwe ukwaco.

1. **Ingene amategeko mpuzamakungu yategekanije iyubahirizwa ry'umuntu atakiri mu mwidegemvyo.**

Ukwidegemvya ni uburenganzira bw'umuntu uwo ari we wese.Uwo mwidegemvyo ushobora guhagarikwa iyo umuntu apfunzwe. Ariko n'iyo umuntu ari mw'ibohero, ategerezwa gufatwa runtu akubahirizwa mu gateka kiwe.

Iyubahirizwa ry'umuntu atakiri mu mwidegemvyo, riritegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye: amasezerano mpuzamakungu yerekeye ingene abapfunzwe bofatwa, yemejwe n'inama nkuru y'ibihugu vyunze ubumwe yo ku wa 17 kigarama 2015, itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu kwitunganiriza ivyabo no mu vyerekeye politike, amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu, amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana hamwe n'amasezerano mpuzamakungu agwanya isinzikazwa ry'ubuzima bwa kiremwa muntu.

Kuvyerekeye kumenyesha umuntu atakiri mu mwidegemvyo igituma yatswe uburenganzira bwiwe bwo kwidegemvya, agace ka kabiri k'ingingo ya 9 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye ingene abapfunzwe bofatwa, yemejwe n'inama nkuru y'ibihugu vyunze ubumwe yo ku wa 15 kigarama 2015, karerekana ingene umuntu atakiri mu mwidegemvyo ategerezwa kwubahirizwa mu burenganzira bwiwe bwo kumenyeshwa igituma yatswe umwidegemvyo.

Kavuga ko umuntu wese afashwe, ategerezwa kumenyeshwa muri ico gihe nyene agifatwa, ibituma vy'iryo hagarikwa, akongera akamenyeshwa ico yagirizwa mu gihe gito gishoboka.

Kumenya ivyo arekuriwe ndetse n'amategeko agenga ibohero, ni uburenganzira bw'umuntu wese atakiri mu mwidegemvyo kandi butegerezwa kwubahirizwa.

Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye ingene abapfunzwe bofatwa, yemejwe n'inama nkuru y'ibihugu vyunze ubumwe yo ku wa 15 kigarama 2015, ingingo ya 54 yayo ivuga ko umunyororo yinjiye mw'ibohero ategerezwa kumenyeshwa ivyo arekuriwe n'i vyo asabwa hisunzwe ko ari uwupfunzwe ivy'agateganyo canke yamaze gucirirwa urubanza. Aramenyeshwa kandi n'ibijanye n'amategeko agenga ibohero. Iyo azi gusoma baramuha urwandiko akisomera, iyo atavyo azi naho bakabimusomera.

Umuntu atakiri mu mwidegemvyo, ategerezwa kwubahirizwa mu burenganzira bwiwe bwo gufatwa runtu.

Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, rirerekana ko kiremwa muntu ategerezwa kugumana agaciro, akubahwa akongera akubahirizwa, nk'uko tubisanga mu ngingo ya 6 yaryo, ivuga ko umuntu wese ategerezwa kwubahwa akubahirizwa aho ari hose. Bisigurako umuntu n'aho aba atakiri mu mwidegemvyo, aguma afise uburenganzira bwo kubahirizwa.

No mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu kwitunganiriza ivyabo no mu vyerekeye politike, turasangayo ingingo zerekana ko kiremwa muntu, n'aho yoba atakiri mu mwidegemvyo, ategerezwa kugumana agaciro. Tubisanga mu ngingo ya 10 ivuga ko umuntu wese atakiri mu mwidegemvyo akwiye kwubahirizwa mu gateka karanga zina muntu.

Uwutakiri mu mwidegemvyo kandi arubahirizwa mu burenganzira bwiwe bwo kudasinzikarizwa ubuzima mu gihe baba bariko baramugirako amatohoza canke mu kumweza icaha yagirizwa, nk'uko ingingo ya 1 y'amasezerano mpuzamakungu agwanya isinzikazwa ry'ubuzima bwa kiremwa muntu ibivuga.

Ingingo ya 22 nayo ivuga ko abanyororo bategerezwa gufungurirwa neza, kandi bakaronswa n'amazi meza, kugirango bagumane amagara meza. Umuntu atakiri mu mwidegemvyo agumana kandi uburenganzira bwo kuvuzwa.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 24 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye ingene abapfunzwe bofatwa, yemejwe n'inama nkuru y'ibihugu vyunze ubumwe yo ku wa 15 kigarama 2015, mu mabohero hategerezwa kuba hariho amavuriro n'abakozi bakira abatakiri mu mwidegemvyo barwaye, bakabavura. Iyi ngingo ibandanya ivuga ko ayo mavuriro ategerezwa kuba afise ibikoresho bikwiye, hamwe n'abakozi babinonosoye, kandi abanyororo baje kwivuza bategerezwa kwakirwa bose hatarabwe icaha akurikiranwako.

Mu gihe ingwara y'uwutakiri mu mwidegemvyo irengeye ubushobozi bw'ivuriro ry'ibohero, afise uburenganzira bwo kujanwa mw'ivuriro ryo hanze y'ibohero rishoboye kumuvura, nk'uko tubisanga mu ngingo ya 27 y'ayo masezerano.

Umuntu atakiri mu mwidegemvyo, ntaba ari igicibwa, kuko agumana uburenganzira bwo kubonana n'abagize umuryango wiwe, kandi butegerezwa kwubahirizwa.

Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye ingene abapfunzwe bofatwa, ingingo ya 58 ivuga ko umunyororo afise uburenganzira bwo kubonana n'abagize umuryango wiwe iyo baje kumuraba.

Iyo ari umunyororo apfungiwe mu gihugu kitari ic'amavukiro yiwe, arafise uburenganzira bwo kubonana n'uwuserukira igihugu ciwe muri ico gihugu iyo asanzwe ahari. Tubisanga mu ngingo ya 62.

Ibikur. urup. 11

# Ingene amategeko yubahiriza umuntu atakiri mu mwidegemvyo

*(Bitangurira ku rup.10)*

Umuntu yatswe uburenganzira bwiwe bwo kwidegemvya, afise uburenganzira bwo kwiregura imbere ya sentare ibifitiye ububasha.

Ingingo y'7 y'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu ivuga ko, umuntu wese atakiri mu mwidegemvyo, ategerezwa kwubahirizwa mu burenganzira bwiwe bwo kwiregura no kurondera umushingwamanza amuburanira, kandi agacirirwa urubanza mu gihe giciriye hagufi, ntahe y'icese kandi itagira nkunzi.

Ubwo ni uburenganzira bw'umuntu wese hatibagiwe n'uwupfunzwe ivy'agateganyo, igihe urubanza rwiwe rutaracibwa. Tubisanga mu ngingo y'9 nayo ivuga ko, umuntu atakiri mu mwidegemvyo kubera yikekwako icaha, ategerezwa kwubahirizwa mu burenganzira bwiwe bwo kurengutswa imbere y'umucamanza, mu gihe kitari kirekire, agacirirwa urubanza canke akarekurwa, abanje kwiregura ku vyo yikekwako.

Duhejeje kurabira hamwe ingene amasezerano mpuzamakungu atandukanye, ategekanya ingene umuntu atakiri mu mwidegemvyo ategerezwa kwubahirizwa, kuko uretse ko ataba yidegemvya, ubundi burenganzira bwose arabugumana, kandi butegerezwa kwubahirizwa. Ategerezwa kuguma afashwe runtu mu kuronswa vya nkenerwa vyose bimufasha kubaho, nko kuronswa ivyo afungura, ivyo yambara, kuvuzwa, kudasinzikarizwa ubuzima n'ibindi.

N'amategeko y'Uburundi atandukanye, arategekanya ukwubahiriza abantu batakiri mu mwidegemvyo.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya kwubahiriza abantu batakiri mu mwidegemvyo**

Ukwidegemvya ni uburenganzira bw'uwo ari we wese, ugupfungwa nakwo bigirwa iyo izindi nzira zose zananiranye. Iyo umuntu atakiri mu mwidegemvyo agumana ubundi burenganzira bwose uretse ubwo kwidegemvya aba yatswe

Mu mategeko y'igihugu tuja kurabira hamwe ingene Ibwirizwa Shingiro, ibwirizwa no 1 /24 ryo ku wa 14 kigarama 2017 ryerekeye ingene abanyororo bategerezwa gufatwa hamwe n'igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa bitegekanya iyubahirizwa ry'abantu batakiri mu mwidegemvyo.

Kuvyerekeye kumenyesha umuntu igituma yatswe umwidegemvyo, ibwirizwa no 1 /24 ryo ku wa 14 kigarama 2017 ryerekeye ingene abanyororo bategerezwa gufatwa, riravuga mu ngingo yaryo y'8 ko imbere y'uko umuntu yinjizwa ibohero, ategerezwa kumenyeshwa igituma.

**<u>Kuvyerekeye kumenyeshwa amategeko agenga ibohero,</u>** n'ubwo burenganzira burategekanijwe nk'uko tubisanga mu ngingo ya 11 y'iryo bwirizwa.

**<u>Kuvyerekeye gufatwa runtu ku muntu atakiri mu mwidegemvyo,</u>** Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi, riritegekanya ko umuntu wese, iyo atakiri mu mwidegemvyo, ategerezwa kwubahirizwa mu burenganzira bwiwe bwo gufatwa runtu, akubahirizwa no mu bundi burenganzira bwiwe kiretse ubwo kwidegemvya aba yatswe, naho nyene akabwakwa hakurikijwe amategeko.

Muri ukwo gufatwa runtu, harimwo:

**<u>kuvuzwa,</u>** Ingingo ya 55 ivuga ko, umuntu wese afise uburenganzira bwo kuvurwa. N'umuntu atakiri mu mwidegemvyo agumana ubwo burenganzira bwo kuvurwa.

**<u>kudasinzikarizwa ubuzima</u>**, ingigno ya 25 iravuga ko, ata muntu n'umwe ashobora gusinzikarizwa ubuzima canke ngo afatwe nk'inyamaswa. N'abatakiri mu mwidegemvyo ntibakumiriwe mw'iyubahirizwa ry'ubwo burenganzira.

**<u>Kuvyerekeye kuronsa ibifungurwa uwutakiri mu mwidegemvyo,</u>** Ibwirizwa no 1 /24 ryo ku wa 14 kigarama 2017 ryerekeye ingene abanyororo bategerezwa gufatwa, riravuga ko abanyororo bategerezwa kuronswa ibifungurwa hamwe n'amazi meza kugira ngo amagara yabo agume akingiwe.Tubisanga mu ngingo ya 22.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 33 y'iryo bwirizwa nyene, mu mabohero atandukanye, hategerezwa kubaho igisata kijejwe amagara y'abapfunzwe. Ico gisata gitegerezwa kurongorwa n'umuganga abifitiye ububasha kandi ategerezwa gukora nk'umuhanuzi w'umukuru w'ibohero kuko ari we amubwira uko bukeye uko bwije ivyerekeye amagara y'abanyororo n'ivyokorwa kugira amagara yabo amere neza. Iyo umunyororo afise ingwara isaba kuvurirwa ahandi mu bitaro vyo hanze y'ibohero, ni uburenganzira bwiwe bwo kuja kwivuza aho ingwara yiwe ishobora kuvurirwa.

***<u>Ku vyerekeye kwiregura</u>***, uwutari mu mwidegemvyo arubahirizwa mu burenganzira bwiwe bwo kwiregura imbere ya sentare nk'abandi bose mu gihe bikekwako icaha. Tubisanga mu gace ka gatatu k'ingingo ya 39 y'ibwirizwa shingiro ivuga ko uburenganzira bwo kwiregura butegerezwa kwubahirizwa imbere ya sentare zose.

**<u>Ku vyerekeye kwunguruza urubanza</u>**, uwutakiri mu mwidegemvyo arafise uburenganzira bwo kumenyeshwa urubanza yaciriwe iyo yari apfunzwe ivy'agateganyo. Adashimye ingingo ya sentare, amategeko arubahiriza uburenganzira bwiwe bwo kungururiza urubanza muri sentare y'iyungururizo.

Iryo yunguruzwa ritegerezwa guca mu rwandiko rushirwako ikidodo n'umuyobozi w'ibohero, nk'uko tubisanga mu ngingo ya 324 y'igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.

Mu gusozera, twomenya ko yaba amategeko mpuzamakungu ndetse n'amategeko yo mu Burundi, arategekanya uburenganzira bw'abatakiri mu mwidegemvyo nk'uko duhejeje kubibona. Ntitwashimikiye ku burenganzira bwose, twashimikiye k'uburenganzira bumwe bumwe.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

## IGISABISHO CA YUBILE Y'IMYAKA 2025 Y'EKLEZIYA

*Dawe uri mw'ijuru / ukwemera waduhaye mu Mwana wawe Yezu Kristu / Umuvukanyi wacu n'urubeya rw'urukundo mu mitima yacu / ni bikabure muri twebwe / ukwizigira guhimbaye kw'umuzo w'Ubwami bwawe.*

*Ese inema yawe yoduhindura ababivyi ngirakamaro b'imbuto z'Inkuru Nziza / zo kwambira umuryango w'abantu n'isi yose / mu kurindirana umwizero ijuru rishasha n'isi nshasha / kuko ububasha bwa sekibi buzoba bwatsinzwe / ubuninahazwa bwawe bukabona kwigaragaza imyaka yose.*

*Ese inema ya Yubile yokabura muri twebwe turi ku rugendo kubw'ukwizigira / inyota yo guhurumbira ivyiza vy'ijuru / kandi igashungururira kw'isi yose akanyamuneza n'amahoro vy'umucunguzi wacu.*

*Ese Mana uhezagiye imyaka yose / woshimagizwa kandi ukaninahazwa / maze ishimagizwa n'ininahazwa vyawe bikamaho ubu no mu myaka n'imyaka. Amen*

**Papa Fransisko**

*Iki gisabisho cahinduwe mu kirundi n'igisata kijejwe ubutumwa n'inyigisho ndoramana muri Ekleziya y'i Burundi*